**RCC 10210**

**AMAJAMBO MAKURU MAKURU**

**Amatongo aguriwe hamwe n'abavukana – igabugwa ry'amatongo abiri ryaheze – isambuzwa (ingingo ya 37 y'itegeko n°1/07ryo ku wa 25.02.2005 rigenga Sentare Gasamburamanza) ridashemeye – kugomba kwihariza itongo wenyene – kurima ku matongo yose.**

## URUBANZA

- 1 -

RCC 10210

SENTARE NTAHINYUZWA ISHASHE MURI GASAMBURAMANZA YACIYE URUKWIRIKIRA : INTAHE Y'ICESE YO KU WA 30.12. 2005

HITWARA :

1. BA. Thérence : aturuka ku musozi Rusaka, Komine Rusaka, Intara ya Mwaro.
2. G. Angéline : aturuka ku musozi Rusaka, Komine Rusaka, Intara ya Mwaro.

HITWARIRWA : Abasigwa ba RU. Cassien : baserukiwe na ND.Magnifique.

Hihwejwe imburano BA. Thérence na G. Angéline bashikirije umukuru wa Sentare Ntahinyuzwa kw'igenekerezo rya 10.07.2002, basaba ko urubanza RCA 1428 rwa Sentare Nkuru y'Igihugu ya Mwaro rusambuka ; narwo rukaba rwavuga ruti :

Sentare ica imanza imbona nkubone ;

ISHINZE KO :

- Yakiriye iyunguruzwa ry'urubanza nkuko ryagizwe na NT. kandi ivuze ko rishemeye;
- Urubanza rwa Sentare y'Intango rurahindutse;
- BA., YI. na RU. bazogabura umusozi baburana mu bisate bitatu bingana;
- Amagarama atangwa na BA. uko ari 22.200FBu.

Hihwejwe ingingo yo ku wa 01.10.2002, yamenyesha umuburanyi RU. Canésius, aserukiwe na NY. Alice, iryo sambuzwa ikongera ikamusaba guhinyuza imburano za BA. na G. ; agaca abigira ku wa 03.12.2002 ;

Hihwejwe icegeranyo c'umucamanza wa Sentare Ntahinyuzwa cunganiwe n'icumushikirizamanza mukuru akukira iyo Sentare, bashigikira ko urubanza ruburanishwa mu ntahe y'icese ;

Hihwejwe ingingo RCC 10210 y'umukuru wa Sentare Ntahinyuzwa yo guhamagara urubanza mu ntahe y'icese yo ku wa 26.02.2004, agaca abimenyesha abasigwa ba RU. Canésius, abasaba kurenguka muri iyo ntahe y'icese;
Hihwejwe ihamagarwa ry'urubanza mu ntahe y'icese yo ku wa 26.02.2004 aho ababuranyi bompi bitavye, Sentare imaze gusuzuma igasanga uwuserukira abasigwa ba RU. Canésius adafise urwandiko rumurekurira kuburana (procuration) igaca isubiza urubanza mu ntahe y'icese yo ku wa 07.06.2004 ;

- 2 -

Hihwejwe ko urubanza rwaje rurasubizwa mu ntahe z'icese zo ku wa 08.11.2004 ; 03.01 ; 28.04.2005 kugira ngo ababuranyi bashobore guhinyuzanya imbona nkubone ;

Hihwejwe ihamagarwa ry'urubanza mu ntahe y'icese yo ku wa 09.09.2005, aho ababuranyi bitavye bose, bamaze gushikiriza imburano zabo, Sentare igaca ishira urubanza mu mwiherero w'abacamanza kugira ngo ifate ingingo ikurikira :

Kubera ko ababuranyi bashaka kugabura umusozi witwa urwikingo, abasigwa ba RU. baserukiwe na NT. bavuga ko bawuguriye hamwe, BA. nawe akemeza ko awusangiye na G. gusa ;

Kubera ko abasigwa ba RU. Canésius bamye bitwara bavuga ko se wabo yavukana na YI. Pascal na BA. Thérence, bakaba amatongo yose bafise baza baraterateranya udufaranga kugira bayagure, ariko mu kugura hakabaho uberaseruka umwe ;

Kubera ko NT. (umugore wa RU.) amenyesha Sentare ko itongo rya mbere ryo ku Kanyinya ryaguzwe mu 1966, ryandikwa kuri RU. ; akaba yariguze na BU. Marc, nkuko bigaragazwa na acte de notoriété yo ku wa 20.05.1966 ;

Kubera ko avuga kandi ko itongo ryo ku Rwikingo ryaguze YI. Pascal, arigura na TA. Zacharie, ivyo bikaba bigaragazwa na acte de notoriété yo ku wa 13.02.1980 ;

Kubera ko asozera amenyesha Sentare ko itongo rigira 3, ryaguzwe na BA., arigura na M., mu mwaka 1980, nkuko acte de notoriété n° 3/80 yo ku wa 12.06.1980 riyemeza, akemeza ko iryo tongo arifise ko indimo ;

Kubera ko ND. Magnifique aserukira abasigwa ba RU. Canésius yerekanye ko itongo se yanditsweko ryi i Kanyinya, BA. na bene RU. bitwaye basaba ko barigabura, Sentare y'Intango ya Rusaka iraribagaburira mu rubanza RCI 694, uko ari batatu bakaba baravyemeye, kandi urubanza rukaba rwarakurikijwe ;

Kubera ko hageze kugabura itongo ryo ku Rwikingo, BA. yaciye ahagarara, avuga ko ryaguzwe RU. yaramaze gupfa, akemeza ko ryaguzwe na YI. Pascal nawe gusa ; arico gituma ahakana ko bene RU. hari ico barironkako ;

Kubera ko umukenyezi wa RU. yaciye yitura Sentare y'Intango ya Rusaka asaba ko yobagaburira iryo tongo, iyo nayo iramuhebuza ivuga ko atavyemeza afise ko umugabo wiwe yariguriye hamwe na YI. Pascal ;

Kubera ko NT. yahavuye yunguruza urubanza muri Sentare Nkuru y'Igihugu ya Mwaro ; iyo nayo, imaze kwihweza igasanga itongo ryanditswe kuri RU., bararigabuye uko ari batatu, iryanditswe kuri BA., NT. akemeza ko arifiseko ikivi, yaciye ivuga ko iyo misozi yaguriwe hamwe, isanga birakwiye ko bayigabura uko bavukana ;



Kubera ko BA. yaciye asambuza urwo rubanza RCA 1428 rwa Sentare Nkuru y'Igihugu ya Mwaro afatiye ku mvo zikurikira :

- Sentare ngo yamuvugiye ivyo atavuze ngo mu kuvuga ko yemeye ko basangiye na NT. Candide, kandi ngo atavyo yigeze avuga ;
- Sentare ngo yarirengagije ingingo ya 217 C.C.L.III, ivuga ko kiretse amasezerano agizwe n'abadandaza, amasezerano yose arenza igiciro ca 2000 FBu arinda kuba yanditswe kugira yemeze ko NT. afise uruhara kw'itongo ryo ku Rwikingo ; ko ataho vyanditse kuri acte de notoriété ;
- Sentare ngo yararenze ingingo za 329, 333 na 334 za code foncier zivuga ko kiretse itongo rya ruguru, umuntu atoranye mu muryango, icemeza itongo ari urupapuro rutangwa n'abategetsi ba Leta ;

Kubera ko ND. Magnifique, yunganira imburano za NT., avuga ko yakuze ayo matongo uko ari atatu bayarima bose kuva ku muvumba gushika ku mwonga, agasozera ko kugira ngo Sentare ibakize induru ya BA., yotegeka ko umwe wese yokwisangiza itongo rimwanditseko ;

Kubera ko imvo nyamukuru BA. yishimikiza mu gusambuza urubanza rwa Sentare Nkuru y'Igihugu ya Mwaro RCA 1428, ari ivyemeza ko itongo ryo ku Rwikingo RU. arifiseko uruhande ; ngo kuko ryanditswe kuri YI. gusa, agashimikira kuri acte de notoriété, ko asaba RU. ko yozana urwandiko rundi ruyihinyuza ;

Kubera ko nkuko abasambuza urubanza babivuga, ababuranyi uko ari batatu, umwe wese arafise itongo rimwanditseko, ariko ntikibuza ko bayarima bose, kuko n'aho handitswe umwe, baremeza ko bayaguriye hamwe ;

Kubera ko ivyo vyahavuye vyemezwa n'icabona WI., mu ntahe y'icese yo ku wa 25.05.2000, aho yamenyesha Sentare ko ayo matongo bayaguze bose ; kandi ko ariwe yashinga uburimbi igihe bayagabura, kiretse iryo ku Rwikingo ritaragaburwa ;

Kubera ko naho BA. aguma ahakana ko ayo matongo batayaguriye hamwe, ntashobora gusigura ko yogabura itongo na RU. kandi ataryanditseko, canke ngo agabure itongo ryanditswe kuri YI. wenyene;

Kubera kandi ko BA. adahakana ko RU. (NT.) yari afise inzu ku musozi w'i Murambi kandi wanditswe kuri BA. wenyene ; ivyo bikerekana ko acte de notoriété atariyo yerekana ko basangiye ayo matongo, ko hariho ayandi masezerano atuma basangira ;



Kubera ko noneho mu ntahe y'icese yo ku wa 09.09.2005, G. asanzwe asangiye umusozi Rwikingo na BA. yemeye ko uwo musozi bawugabura ari batatu, ivyo bikerekana ko yemera ko RU. awufiseko uruhara, arico gituma ingingo ya Sentare Nkuru y'Igihugu ya Mwaro ishinga ko itongo ryo ku Rwikingo rigaburirwa RU., YI. na BA. nkuko bagabuye i Kanyinya ;

Kubera ko imvo BA. yishimikije yo kuvuga ko acte de notoriété zokurikizwa uko zanditswe idafise aho ihagaze, kuko nawene atemera ivyanditswemwo, ahandi ho ntiyosigura igituma asangira Kanyinya na RU., canke urwikingo na YI. ; ko noneho ariwe gusa yanka iyo ngingo, uwo basangiye itongo akayemera ;

KUBERA IZO MVO ZOSE :

Sentare Ntahinyuzwa ishashe muri Gasamburamanza ;

Yihweje Ibwirizwa n° 1/010 ryo ku wa 18.03.2005 ryerekeye Ibwirizwa Nshingiro rya Republika y'Uburundi ;

Yihweje Ibwirizwa n° 1/07 ryo ku wa 25.02.2005 ryerekeye iringanizwa rya Sentare Ntahinyuzwa ;

Yihweje Ibwirizwa n° 1/08 ryo ku wa 17.03.2005 ryerekeye iringanizwa ry'amasentare n'ububasha bwazo ;

Yihweje Ibwirizwa n° 1/010 ryo ku wa 13.05.2004 ryerekeye iringanizwa ry'amategeko agenga imanza z'amatati ;

Ibanje gushira urubanza mu mwiherero w'abacamanza nkuko amategeko abivuga ;

ISHINZE KO:

- Yakiriye imburano za BA. na G. ariko isanze zidashemeye ;
- Irahakanye gusambura urubanza RCA 1428 rwa Sentare Nkuru y'Igihugu ya Mwaro ;
- Ivuze ko iyi ngingo ica yandikwa mu gitabu c'imanza c'iyo Sentare hambavu y'urubanza rudasambuwe.



Amagarama y'urubanza atangwa na BA. Thérence afashijwe na G. Angéline nayo ni 27.400 FBu ;

Uko niko ruciwe kandi rusomwe i Bujumbura ku wa 30.12.2005, hashashe umukuru w'intahe, abacamanza bafashijwe n'umushikirizamanza mukuru hamwe n'umwanditsi.

**KWIHWEZA URUBANZA**

Muri runo rubanza, abagabo batatu bavukana, RU., YI. na BA. bagiye baraterateranya amafranga yabo mukugura amatongo. Ariko iryo baguze ryose, baryandika kuri umwe muribo n'aho baba bafadikanije mukurigura. Barashoboye kugura amatongo atatu kuburyo umwe wese muribo yaronse itongo rimwandikwako. Ayo matongo bayarimako bose, ico kikaba icemeza ko baba basangiye n'aho bitari vyanditswe.

Baragabuye amatongo abiri, iryanditse kuri RU, barinze guca muri Sentare mu rubanza RCI 694, bongera kandi baragabura n'itongo ryanditse kuri BA. Itongo rya YI. niryo ryonyene ryari risigaye. BA na bene YI. barahakana ko badasangiye na RU. mukuvugako iryo tongo ryanditswe kuri YI. ryaguzwe RU. yaramaze kwitaba Imana.

Bene RU. babonyeko bataramuwe muri iryo gabugwa kandi nabonyene baratanze amafranga mukuhagura, baciye bitura sentare y'Intango ariko nayo irabahebuza ibabariye ko atanakimwe bafise cemeza ko itongo risangiwe. Baciye bafata imigabo yo kwunguruza urubanza muri Sentare Nkuru y'Igihugu. Iyi nayo ibanje kwihweza neza ikabona ko n'ayandi matongo yose ababuranyi bemeye kugabura ko yaba yanditse kuri umwe muri abo bavukanyi, kandi umwe wese yaba afise aho arima kuri iryo tongo n'aho ritaba rimwanditseko, nk'uko vyari biri kuri iryo tongo ritatiwe, yaciye ishinga ko iryo tongo, n'aho ryanditse kuri YI. wenyene, hariho ibindi bituma vyemeza ko itongo risangiwe n'abavukana bose uko ari batatu n'aho bitanditse none bakwiye kurigabura bose atamwana n'ikinono.

BA na YI. , ntibashimye ivyashinzwe na Sentare Nkuru y'igihugu, bica bibatuma kwitura Sentare Gasamburamanza kugirango ibataramurire bene RU muri iryo gaburwa ry'iryo tongo. BA. yashikirije imvo zo gusambuza urubanza zikurikira:

1) Sentare Nkuru yaramubesheye mu kuvuga ko yemeye ko basangiye na RU. kandi atari vyo;
2) Ngo Sentare yarirengagije ingingo ya 217 CCL III ivuga ko amasezerano agizwe arenza igiciro ca 2.000 FBu agaragazwa n'urupapuro rwanditse;
3) Sentare yarenze ku ngingo ya 329, 333 na 334 za Code Foncier zivuga amatongo y'umuntu, kiretse amatongo y'umuryango ko ritegerezwa kwerekanwa n'urupapuro rutanzwe n'ubutegetsi;

Izo mvo zose zatanzwe na BA, nawe nyene ziramukorako zikamwaka uburenganzira bwose yari afise kuri iryo tongo. Itongo ryanditse kuri YI. wenyene, BA. nawe nyene ntarupapuro yari afise rwo kwerekana ko iryo tongo arifiseko uruhara, bitemejwe na YI wenyene. BA. avuga ko baguriye hamwe na YI. Gusa ariko ntanakimwe cerekana ko na RU. ataguriye hamwe nabo mugihe atanahamwe handitse uwo bataramura kugira ngo habeho itandukaniro n'ayandi matongo yaguzwe akandikwa kuri umwe ariko bakayarima bose. Bene RU. nabo nyene bavuga ko bafise igice cabo barima kuri iryo tongo.

Sentare ntiyarondeye ariko gutohoza igihe RU. yapfiriyeko. BA. yitwaza ko iryo tongo ryaguzwe yaramaze kwitaba Imana. Muvyashikirijwe n'abungururijwe, turabona ko itongo ryo mu Rwikingo, arinaryo ritatiwe, ryaguzwe muri 1980 nk'uko vyerekanwa na "acte de notoriété" yagizwe ku wa 13.02.1980

Dusomye neza runo rubanza, turabona ko kuvuga ko itongo ryaguzwe RU. yaramaze kwitaba Imana ari urwitwazo rutagira aho ruhagaze, kuko itongo ryaguzwe mu nyuma y'iryo ritatiwe "acte de notoriété n° 3/80 yo ku wa 12.06.1980" ryamaze kugabugwa. Ntivyumvikana ingene BA. yokwitwaza ko yari yamaze kwitaba Imana mugihe tubona ko iryaguzwe munyuma y'iryo ritatiwe ryoryo bemeye ko barisangira, gurtyo bakarigabura batarinze kumutaramura.

Turavye kandi izo mvo zo gusambuza urubanza ntanahamwe tubona ko uwusambuza yoba yaravuze umugenzo mwiza w'ikirundi canke itegeko Sentare Nkuru y'I gihugu yoba yararenze mu guca urwo rubanza.

Sentare ntiyashimye kwishura imburano yashikirijwe n'uwusambuza, yaciye yumviriza uwusamburizwa ingene ahinyuza uwo baburana. Twokwibaza ko Sentare yasa n'iyibagiye akazi kayo ko atiri ukwiga ido n'ido ry'imanza

ariko ko ari ukuraba ko amategeko canke imigenzo myiza y'ikirundi yoba yubahirijwe. Yabivuzeko gusa mw'itsitso ry'urubanza aho ishingako urubanza rudasambuwe.